Gukora muri Australia

Uburyo bwo gukoresha neza amahera

Igihe ukora akazi muri Australia, ukaba uri umukoreshwa, urahabwa umushahara kandi kuri uyo mushahara utegerezwa gutangako ikori.

kuronka umushahara iyo wakoze akazi

Igihe baguhaye umushahara, baraguha urupapuro ruvyerekana. Urwo rupapuro rurerekana amahera waronse, ikori bagukuyeko, hamwe n'amahera umukoresha wawe yakurihiye mw'isandugu y'ukuziganyiriza igihe umuntu akukurutse.

Ikori

Igihe ukora ngaha muri Australia uratanga ikori muri leta ya Australia, kugira ngo leta ironke amahera yo kurangura ibikorwa bifitiye akamaro abanyagihugu nk'ibitaro, amashure, amabarabara, ukwiyunguruza, (amatereni n'amabisi).

Inomero yo mubiro vy'ikori

Buri muntu muri Australia agira inomero yisangije yo mubiro vy'ikori. Urakeneye iyi nomero kugira ngo ukore akazi muri Australia. Utanguye Akazi, uraha umukoresha wawe iyo nomero yo mu biro vy'ikori

Kuziganiriza igihe umuntu yakukurutse

Aya ni amahera ashigwa ku ruhande n'umukoresha wawe, kugira ngo azogufashe wageze mu butama, utagikora. Arungikwa mu mashirahamwe aziganiriza abakozi, bita "SUPERANNUATION FUND"

Ibuka

- Igihe ukora muri Australia kandi ufise umukoresha, uraronswa umushahara.
- Ukora muri Australia uratanga ikori muri leta ya Australia
- «Superannuation» ni amahera abikwa kugira ngo azogufashe ugeze muzabukuru, utagikora.
- Umukoresha wawe ategerezwa kwishura amahera angana n'ibice icenda ku ijana (9%) vy'ayo uhembwa, akayagushirira mu masanduku y'ukwiziganyiriza. Aya mahera ni ayiyongera kuri arya usanzwe uhembwa.

Ni hehe wokura imfashanyo hamwe n'izindi nkuru

Ku zindi nkuru zijanye no kuziganiriza ugukukuruka mu kazi, raba kuri interineti ya MoneySmart, **www.moneysmart.gov.au**, canke uhamagare inomero 1300 300 630.

Ugiranye ibibazo n'umukoresha wawe, ukaba wipfuza kumenya uburenganzira bwawe, raba kuri interineti ya Fair Work Australia: **www.fwa.gov.au**, canke bahamagare ku nomero 1300 799 675.

MONEYSMART

Michael atangura akazi gashasha

Michael amaze amezi atatu atakazi afise. Yamye abeshejweho n'amahera aronka kuri Centrelink.

Yarabonye itangazo ko ku isoko ryo hafi yiwe bipfuza umuntu wo gufasha kudandaza mu ibutike yabo. Yaciye asaba ako kazi baca baramuhamagara gukora ikibazo hanyuma aca araronka ka kazi.

Michael yaciye ahabwa ikete rigaragaza ivyo ajejwe ku kazi kiwe.

Michael yarasomye iryo kete. Ryamubwira ko umukoresha wiwe yitwa Jack smith, naho ishirahamwe akoramwo rikitwa "Clothes for Us". Ikete ryaramusigurira ko Akazi kiwe ari: ukugurisha impuzu, kandi ko azohembwa amadorari 16 ku isaha, agakora iminsi imwe imwe mu ndwi, mugabo agashikana amasaha 25 muri buri ndwi.

Amaze gukora indwi zibiri, Michael yaronse agahembo kiwe ka mbere. Arahabwa na rwa rukaratasi rugaragaza amahera umuntu aba yahembwe. Yarabona amahera yahembwe, ikori yatanze, hamwe n'amahera umukoresha yamushiriye muri ya sanduku y'ukwiziganiriza.

Ku rukaratasi rugaragaza umushahara yahawe, yasanze yakoreye amadorari 800 mu ndwi zibiri, akaba yatanze ikori y'amadorari 85, umukoresha nawe akaba yamushiriye ku ruhande muri ya sanduku y'ukwiziganiriza, amadorari 72.

Mu ndwi ikurikira, Michael yaciye aronka amahera yo muri Centrelink.

Michael yari abizi ko ari ngombwa kubwira Centrelink ivya kazi kiwe, kugira ngo bagabanye amahera bamuha. Kutabwira Centrelink ko yatanguye akazi vyari gutuma aronka amahera menshi avuye muri Centrelink, akaba agiye mw'ideni. Iryo deni aca ategerezwa kuririha canke akaja mu zindi ngorane.

Michael yaterefonye Centrelink kugira ngo ababwire ko yatanguye akazi, aca abarungikira ikete rimwe yahawe n'umukoresha wiwe.

© ASIC 2012 all rights reserved

This page has been intentionally left blank.

© ASIC 2012 all rights reserved